LIGUE BURUNDAISE DES DROITS DE L'HOMME
"ITEKA" association sans but lucratif
*Agréée par l'ordonnance ministérielle n°530/0273 du 10 novembre 1994 revoyant l'ordonnance 550/ 029 du 6 février 1991*
*Membre affilié de la fédération Internationale des Ligues des Droits de l'Homme (F.I.D.H)*

LBDH/**016**/2026 Kampala, 26 Ruheshi 2026

## ITANGAZO

**Mu ntumbero y'umusi mpuzamakungu wahariwe gushigikira abakorewe amabi yo kuborezwa igufa,umuhari Iteka uragaragaza ingendo iteye agahinda yo kuboreza igufa mu Burundi.**

---

Kuri uyu musi uri hejuru aho isi yose ihimbaza umusi mpuzamakungu wo gushigikira ababorejwe igufa,umuhari uharanira agateka ka zina muntu mu Burundi ITEKA urakebura kw'ikubagurwa haba iryo ku rukoba canke ku mutima riguma rikorwa,mbere riguma ryiyongera mu mabohero yo mu Burundi **ubwinshi bw'abanyororo bwamaze kurengerana, bwiyongeyeko ku rugero rw'ibice 37 kw'ijana (37%) mu kiringo c'umwaka umwe gusa.**

Mu vyegeranyo vyawo vyo kundwi kundwi co kimwe no mu bindi vyegeranyo vyawo ku mwanya ku mwanya,umuhari ITEKA urerekana ababorejwe igufa waharuye.Mugabo ibiharuro biraba ababorejwe igufa ku mugaragaro bonyene.Ariko,umuhari Iteka urazi ko mu busho bw'igiporisi hamwe no mu busho bw'igendereza ry'igihugu baboreza igufa aho abantu benshi bahasiga ubuzima,ariko no guturubika abantu bagahahamuka birarwiriyeyo.

Umuhari uboneyeho akaryo kuri uno musi kugira urabe wongere unegure wivuye inyuma ibitigiri birenze vy'abanyororo mu mabohero aho kugabanuka,vyiyongereye bidasanzwe muri aya mezi 12. Hagati ya Ruheshi 2025 na Rusama 2026,igitigiri c'abanyororo cavuye ku bantu 11 368 kuri 12 980 mu mabohero 13 yo mu gihugu.Gutyo igwiririrana ryavuye ku rugero rwa **264,74 kw'ijana rishika ku 302,5 kw'ijana.**

4, Avenue des Euphorbes, B.P.177 Bujumbura-Burundi, Tél. :(257) 22228636, Fax :(257)22220004
E-mail :info@ligue-iteka.bi, Website : https://www.ligue-iteka.bi

| | Amabohero | Igitigiri agasho kagenewe kwakira | Uko vyifashe mu mabohero muri Ruheshi 2025 | | | | Uko vyifashe mu mabohero muri rusama 2026 | | | | Ihindagurika ry'urugero ku kiringo c'umwaka |
|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|
| | | | Abantu bapfunzwe | Igitigiri c'abataraburana | Igitigiri c'abakatiwe | Urugezo rw'abapfunzwe | Abantu bapfunzwe | Igitigiri c'abataraburana | Igitigiri c'abakatiwe | Urugero rw'abapfunzwe | |
| 1 | **BUBANZA** | 200 | 350 | 140 | 210 | 175.00% | 434 | 214 | 220 | 217.00% | **42.00%** |
| 2 | **BURURI** | 250 | 280 | 175 | 105 | 112.00% | 305 | 162 | 143 | 122.00% | **10.00%** |
| 3 | **GITEGA** | 400 | 1200 | 479 | 721 | 300.00% | 1456 | 690 | 766 | 364.00% | **64.00%** |
| 4 | **MPIMBA** | 800 | 3855 | 2203 | 1652 | 481.88% | 4230 | 2657 | 1573 | 528.75% | **46.87%** |
| 5 | **MURAMVYA** | 100 | 791 | 371 | 420 | 791.00% | 1063 | 428 | 635 | 1063.00% | **272.00%** |
| 6 | **MUYINGA** | 300 | 512 | 129 | 383 | 170.67% | 606 | 118 | 488 | 202.00% | **31.33%** |
| 7 | **NGOZI F** | 250 | 172 | 74 | 98 | 68.80% | 199 | 77 | 122 | 79.60% | **10.80%** |
| | **NGOZI H** | 400 | 1590 | 577 | 1013 | 397.50% | 1841 | 699 | 1142 | 460.25% | **62.75%** |
| 9 | **RUMONGE** | 800 | 1384 | 493 | 891 | 173.00% | 1471 | 525 | 946 | 183.88% | **10.88%** |
| 10 | **RUTANA** | 350 | 399 | 188 | 211 | 114.00% | 448 | 160 | 288 | 128.00% | **14.00%** |
| 11 | **RUYIGI** | 300 | 678 | 316 | 362 | 226.00% | 780 | 333 | 447 | 260.00% | **34.00%** |
| 12 | **CMCL RUYIGI** | 72 | 57 | 22 | 35 | 79.17% | 50 | 11 | 39 | 69.44% | **-9.73%** |
| 13 | **CMCL RUMONGE** | 72 | 100 | 48 | 52 | 138.89% | 97 | 19 | 78 | 134.72% | **-4.17%** |
| | **Vyose hamwe** | **4294** | **11368** | **5215** | **6053** | **264.74%** | **12980** | **6063** | **6887** | **302.28%** | **37.54%** |

Iryo gwiririana ry'abapfungwa rituma haba ubuzima bubi cane mu mabohero aho abantu barundanyeko,baguma babura imfungurwa,batavugwa kandi kenshi bakurwa mu bigo vy'ubuvuzi kugira basubizwe mu busho batarakira,bagumizwa mu mabohero bahejeje iminyororo yabo kera canke bararose ikigongwe bahawe n'umukuru w'igihugu.

Kuri ivyo,umuhari ITEKA urasaba ibikurikira :

**Ku mukuru w'igihugu c'Uburundi :**

- Gukurikirana ishirwa mu ngiro ry'ikigongwe aheruka kugirira abanyororo ;
- Gukurikirana neza ko abapfungwa bose bahejeje ibihano ko barekuwe;
- Gutanga ikigongwe kenshi hamwe no kugabaniriza ibihano ku mbohe zikwije ibisabwa.

**Ku mushikirangaji w'ubutungane, agateka kazina muntu n'ikumirwa rifatiye ku gitsina hamwe n'umushikranganji w'intwaro yo hagati mu gihugu,iterambere rusangi hamwe n'umutekano w'abanyagihugu:**

- Gukingira amasentare ukwivanga kw'ubutegetsi hamwe n'ibihangange mu bikorwa vy'ubutungane ;
- Kurwanya ibiturire mu gisata c'ubutungane ku nzego zose ;
- Gufata no gusaba Reta ndetse n'inama nkuru y'abacamanza ingingo zose zikenewe zo kugabanya no gukinga ubwinshi bw'abanyororo.

**Ku nama nkuru y'igihugu y'igenga ijejwe agateka ka zina muntu :**

- Kuva mu gacerere mu ntumbero yo kugaragaza ingorane z'ibitigiri vy'umurengera vy'abanyororo mu mabohero;
- Kugendera kenshi amabohero yose nkuko vyanditse mw'itegeko rishiraho uwo mugwi,ivyo mu ntumbero yo gutororokanya amakuru yose yerekeye amabi ahabera hamwe no gushira ahabona ibisabwa Reta bijanye no kubuza burundu ayo mabi akorerwa ikiremwa muntu hamwe no kugabanya ubwinshi bw'abantu mu mabohero ;
- Gukora ivyegeranyo ku mwaka ku mwaka,nkuko vyanditse mw'itegeko ryashizeho iyo nama,mu ntumbero yo gushira ahabona uko ibintu bimeze hamwe no kunagura iyubahirizwa ry'agateka k'abantu bahagarikwa canke bapfungwa;
- Gukorana n'amashirahamwe aharanira agateka ka zina muntu aho kuyarwanya.

**Ku mugwi wa Afirika uraba agateka ka zina muntu hamwe n'ako abanyagihugu (CADHP) no ku mugwi w'ibihugu vyunze ubumwe ugwanya kuborezwa igufa:**

- Kugendera amabohero yo mu Burundi hamwe no kuguma bakwirikiranira hagufi uko abanyororo babayeho muri kino gihugu ,mu ntumbero yo gusaba ko botezurirwa canke ko bopfungwa hisunzwe amategeko mpuzamakungu.

**Ku mugwi uharanira agateka ka zina muntu,GANRHI hamwe no ku mugwi mutoya uwuserukira :**

- Gusubira gusuzuma itegeko rigenga umugwi wigenga ujejwe agateka ka zina muntu mu Burundi 'CNIDH'.

**Ku bafasha muvyo ubuhinga hamwe n'uburyo mu Burundi :**

- Gukomeza gushigikira amashirahamwe aharanira gutuza ukuboreza igufa hamwe n'ukubahiriza agateka k'abanyororo benshi hamwe n'abandi borejwe igufa mu Burundi.

**Kubwo umuhari Iteka**

Ligue Burundaise des Droits de l'Homme
B.P. 177 Bujumbura
ITEKA

**Anschaire NIKOYAGIZE,**

**Uwuwurongoye**

4, Avenue des Euphorbes, B.P.177 Bujumbura-Burundi, Tél. :(257) 22228636, Fax :(257)22220004
E-mail :info@ligue-iteka.bi, Website : https://www.ligue-iteka.bi